AVANT-PROJET DE LOI N°1/ DU 2021 PORTANT MODIFICATION DE CERTAINES DISPOSITIONS DU CODE DE LA PROTECTION SOCIALE AU BURUNDI ET REVALORISATION DES PENSIONS POUR LE SECTEUR PUBLIC

INTEGURO Y'IBWIRIZWA INOMERO 1/...RYO KU WA... /.../2021 RIHINDURA INGINGO ZIMWEZIMWE Z'IGITABU C'AMATEGEKO AGENGA UGUKINGIRA N'UGUTEGEKANIRIZA KAZOZA ABANYAGIHUGU MU BURUNDI N'UKUDUZA AMAPANSIYO MU BISATA VYA RETA

EXPOSE DES MOTIFS

INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA

1. Contexte et justification

La Constitution de la République du Burundi en son article 27 dispose : « L'Etat veille, dans la mesure du possible, à ce que tous les citoyens disposent des moyens de mener une existence conforme à la dignité humaine ». C'est pour satisfaire à cette exigence constitutionnelle que le Gouvernement de la République du Burundi a promulgué la loi n°1/12 du 12 mai 2020 portant Code de la protection sociale au Burundi dont l'ambition est d'offrir une protection sociale à toute la population.

L'un des aspects du système de protection sociale est le régime des pensions assurant le service des prestations de vieillesse, d'invalidité et le service des prestations aux survivants dont peuvent bénéficier les affiliés ou leurs ayants droit remplissant les conditions requises par la loi.

Cependant, au fil des années, il s'est avéré que le montant des pensions versé aux bénéficiaires ne pouvait plus leur garantir une vie décente au regard du coût de la vie. L'approche de l'échéance de la mise à la retraite était une perspective autant sombre qu'angoissante surtout pour la plupart des employés du secteur public.

1. Imvo n'imvano

Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi mu ngingo yaryo ya 27 rivuga riti : « Reta iritaho, mu buryo bwose bushoboka, ko abenegihugu baronka uburyo bukwiye bwo kubaho bubereye zina muntu». Mu ntumbero yo kwubahiriza iyo ngingo y'Ibwirizwa Shingiro, Reta y'Uburundi yaratangaje Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu mu Burundi rifise umwitwarariko wo gukingira no gutegekaniriza kazoza abanyagihugu bose.

Kimwe mu bisata vy'ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu ni igisata c'ivyerekeye amapansiyo kijejwe kurangura ivyategekanirijwe abasaza, abamugaye hamwe n'ibikorerwa abasigwa b'uwategekanirije kazoza bishobora gukorerwa abanywanyi canke abafise uburenganzira ku matungo yabo bakwije ibisabwa n'amategeko.

Ariko, uko imyaka yagiye iragenda, vyaribonekeje ko amafaranga y'amapansiyo ahabwa abategekanirijwe atagishoboye gutuma babaho uko bibereye hafatiwe ku kugene ubuzima buzimvye. Benshi mu bakozi ba Reta iyo begereje ikiringo c'ugukukuruka ntibahora babona neza kazoza kabo kandi bigatuma bahagarika

umutima.

Conscient de ses obligations constitutionnelles de garantir, dans la mesure de ses possibilités, des moyens propres à assurer une existence digne à ceux qui lui ont consacré une partie de leur vie active, le Gouvernement a manifesté une volonté politique de relever, dans un premier temps, le montant de la pension de vieillesse pour les fonctionnaires, les cadres et les agents du secteur public, et d'appliquer le même processus pour le secteur paraétatique et privé, dans un second temps.

Reta, izirikanye ivyo itegerejwe n'Ibwirizwa Shingiro vyerekeye kuronsa, bivanye n'ubushobozi ifise, uburyo bwotuma abantu bayihebeye igice c'ubuzima bwabo c'ugukora akazi babaho mu buryo bubereye, yarerekanye muri poritike yayo ishaka ryo kwongereza igitigiri c'amafaranga y'ipansiyo y'ubusaza ku bakozi ba Reta, abakozi bakurubakuru na batoyi bo mu gisata ca Reta mu mwanya wa mbere, no gukurikiza iyo ngendo nyene mu gisata c'amashirahamwe yegamiye Reta n'ic'abikorera utwabo, mu nyuma.

La volonté politique a pour objectif ultime d'améliorer la pension de retraite pour qu'elle soit équivalente au moins au dernier salaire précédant la retraite.

Ishaka rya Reta muri poritike ivyerekeye ni gushika ku ntumbero nyamukuru yo kwongereza amafaranga y'ipansiyo y'ugukukuruka, kugira ashobore kungana n'imiburiburi n'umushahara wa nyuma umukozi yahembwe imbere yuko akukuruka.

Des analyses ont été menées visant à démontrer la faisabilité de cette politique de revaloriser le montant de la pension de vieillesse pour les secteurs dont les salaires émargent sur le budget général de l'Etat. Elles ont montré que les organismes de protection sociale pouvaient mettre en œuvre la politique du Gouvernement sans difficultés particulières pour les affiliés du secteur public.

Harakozwe ivyigwa mu ntumbero yo kwerekana ko bishoboka gushira mu ngiro iyo poritike yo kuduza igitigiri c'amafaranga y'ipansiyo y'ubusaza mu bisata bikura imishahara mu mafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka. Ivyo vyigwa vyarerekanye ko amashirahamwe ategekaniriza kazoza abanyagihugu ashobora gushira mu ngiro iyo poritike ya Reta ata ngorane ku bategekanirizwa kazoza bo mu gisata ca Reta.

Mais comme les dispositions du Code de la protection sociale au Burundi relatives au calcul du montant de la pension de vieillesse ne sont plus en conformité avec « *les réformes du secteur de la sécurité sociale, volet pension de retraite* », il faut un nouveau cadre légal qui doit permettre aux organismes de protection sociale de mettre en œuvre la volonté politique du Gouvernement.

Ariko, kubera ko ingingo zo mu Gitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu mu Burundi zijanye n'ingene haharurwa uko ipansiyo y'ubusaza ingana zitagihuye n'«*ivyasubiwemwo mu gisata c'ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu, ku gice cerekeye ipansiyo y'ugukukuruka*», hategerezwa kuba amategeko mashasha atuma amashirahamwe y'ugukingira

n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu ashira mu ngiro ishaka rya Reta muri poritike ivyerekeye.

2. Innovations

2. Ibishasha iri bwirizwa rizanye

Le cadre légal existant prévoit un plafonnement de la pension de vieillesse. Il convient donc de faire sauter ce verrou en modifiant les dispositions de la loi n°1/12 du 12 mai 2020 portant Code de la protection sociale au Burundi qui font obstacle à la volonté politique ci-haut évoquée.

Amategeko ahasanzwe ategekanya urugero rwo hejuru ntarengwa rw'amafaranga y'ipansiyo y'ubusaza. Birakwiye rero ko hakurwaho iyo nzitizi mu guhindura ingingo z'Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ivyerekeye ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu mu Burundi zibera intambamyi ishaka rya Reta ryamaze kuvugwa.

Ainsi, l'article 82 dispose que le bénéficiaire d'une pension d'invalidité voit le montant de cette pension reconverti en pension de vieillesse - de même montant- lorsque l'invalide atteint l'âge de la retraite. Comme la pension de vieillesse est promise à une amélioration ce qui n'est pas le cas de la pension d'invalidité, l'intérêt de l'affilié et l'esprit de la réforme vont dans le sens de la modification de cet article. Il est donc amputé des mots « de même montant ».

Nkako, ingingo ya 82 ivuga ko ipansiyo y'ubumuga ihabwa uwamugariye mu kazi ica ihinduka ipansiyo y'ubusaza ingana n'iyo yahora aronka igihe ashikanye imyaka y'ugukukuruka. Kubera bitegekanywa ko ipansiyo y'ubusaza igiye kuduzwa, bikaba atari uko bimeze ku vyerekeye ipansiyo y'ubumuga, inyungu y'uwategekanirijwe n'intumbero y'iri bwirizwa bituma iyo ngingo itegerezwa guhindurwa. Iyo ngingo ica ikurwamwo rero amajambo «ingana n'iyo yahora aronka».

L'article 83 est légèrement modifié pour soustraire les fonctionnaires, les magistrats, les cadres, les agents de l'ordre judiciaire et les agents du secteur public de ce mode de calcul pendant que celui-ci reste applicable à cette catégorie pour le calcul des autres types de pensions.

Ingingo ya 83 yahinduwe bukebuke kugira abakozi ba Reta, abacamanza, abakozi bakurubakuru, abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza n'abakozi batoyi bo mu gisata ca Reta ntibaharurirwe ipansiyo y'ubusaza hisunzwe uburyo butegekanijwe n'iyo ngingo ariko ubwo buryo bw'uguharura buguma bukurikizwa kuri uwo mugwi w'abakozi mu kubaharurira ubundi bwoko bw'ipansiyo.

L'article 84 est le siège du verrou obstacle à la réforme envisagée dans la mesure où il fixe le montant mensuel de la pension de vieillesse ou d'invalidité ou de la pension

Mu ngingo ya 84 ni ho hahagaze intambamyi nyamukuru ku bitegekanijwe guhinduka kubera ko ishinga igitigiri c'amafaranga yo ku kwezi ku kwezi y'ipansiyo y'ubusaza canke

anticipée à trente pour cent de la rémunération mensuelle moyenne. Si le total des mois d'assurance et des mois assimilés dépasse cent quatre-vingt, le pourcentage est majoré de deux pour cent pour chaque période d'assurance ou assimilée de douze mois au-delà de cent quatre-vingt mois.

iy'ubumuga canke ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe y'ugukukuruka itaragera ku bice mirongo itatu kw'ijana vy'umushahara wo ku kwezi ugereranye. Iyo igitigiri c'amezi yose yatanzwemwo intererano n'ayandi afatwa nk'ayo kirenga amezi ijana na mirongo umunani, ivyo bice kw'ijana bica vyongerwako ibice bibiri kw'ijana ku kiringo kimwekimwe cose c'amezi icumi n'abiri yatanzwemwo intererano canke ayafatwa nk'ayo ku mezi arenga kuri ayo ijana na mirongo umunani.

Il y est ajouté un alinéa premier qui consacre le montant de la pension de vieillesse ou d'invalidité ou de la pension anticipée pour usure prématurée à 100% du dernier salaire net précédant le mois de mise à la retraite ou du mois de certification de l'invalidité au lieu d'un autre pourcentage.

Muri iyo ngingo harongewemwo agahimba ka mbere gashinga ko igitigiri c'amafaranga y'ipansiyo y'ubusaza canke iy'ubumuga canke ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe itaragera biturutse ku gutakaza ubushobozi bw'ugukora imyaka y'ugukukuruka itaragera kingana n'ibice 100% vy'umushahara uwategekanirijwe kazoza yari agezeko utangwa ibikenewe vyose vyamaze gukurwako yaronse mu kwezi kw'imbere y'ukwo yakukurukiyemwo canke y'ukwo yaronkeyemwo iseredifika yemeza ubumuga, aho guharurira ku bindi bice kw'ijana.

De même, l'article 84 est reformulé pour en élaguer le concept de pension anticipée car par prudence, il faudrait ne pas accorder cette prestation de peur de voir se vider le secteur public de la majeure partie de ses cadres expérimentés.

Vyongeye, ingingo ya 84 yarahinduwe mu kuyikuramwo ivyerekeye ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe y'ugukukuruka itaragera kuko, mu ntumbero y'ukwiyubara, ntibikwiye ko abakozi bohabwa iyo pansiyo, kugira abakozi bakurubakuru benshi bamenyereye akazi ntibahave bagira rimwe igisata ca Reta kigasigara kigaragara.

Le projet de loi ne contient pas uniquement des dispositions modificatives. Il comprend aussi de nouvelles dispositions.

Iyi nteguro y'ibwirizwa ntirimwo gusa ingingo zihindura ivyari bitegekanijwe. Irimwo kandi ingingo nshasha.

Ainsi, l'article 8 revoit à la hausse la pension minimale pour les retraités actuels qui est de 60% du salaire minimum interprofessionnel garanti (SMIG) c'est-à-dire concrètement 2400 BIF. Des taux d'augmentation seront

Nkako, ingingo ya 8 itegekanya kuduza ipansiyo uwakukurutse ategerezwa guhabwa n'imiburiburi ku basanzwe barakukurutse muri iki gihe, ikaba ingana n'ibice 60 % vy'umushahara wo ku kwezi muto ubaho

proposés par le Gouvernement sans que cette pension soit inférieure à 30 000 BIF.

wemewe n'amategeko (SMIG mu mpfunyapfunyo y'igifaransa) ni ukuvuga amafaranga y'amarundi 2400. Reta izoshinga urugero kw'ijana iyo pansiyo izoduzwako ariko ntije musi y'amafaranga y'amarundi 30.000.

L'article 9 laisse à une ordonnance conjointe le soin de déterminer le niveau de la pension de vieillesse pour ceux qui toucheraient au seuil de leur retraite des salaires élevés.

Ingingo ya 9 itegekanya ko hazoba itegeko nshikiranganji rusangi rizotomora urugero rw'ipansiyo y'ubusaza ku boba baronka imishahara minini bageze gukukuruka.

L'article 10 précise que la nouvelle pension ou allocation de vieillesse sera reconvertie en pension ou allocation de survivants en cas de décès de l'affilié bénéficiaire. L'idée n'est pas en soi nouvelle mais la clarté ne nuit guère.

Ingingo ya 10 iratomora ko ipansiyo y'ubusaza itegekanywa n'iri bwirizwa canke iyitangwa ingunga imwe ica ihinduka ipansiyo canke umukando uhabwa abasigwa igihe uwategekanirijwe apfuye. Ico ciyumviro si gishasha ariko kugitomora nta co vyokwica.

L'article 12 indique des mécanismes de pérennisation du système de protection sociale.

Ingingo ya 12 yerekana uburyo butuma ibijanye n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu bizoguma bikurikizwa.

Telle est l'économie du projet de loi.

Ivyo ni vyo bigize iyi nteguro y'ibwirizwa.

3. Structure

Le projet de loi comprend 14 articles.

3. Uko integuro y'iri bwirizwa itunganijwe

Iyi nteguro y'ibwirizwa igizwe n'ingingo 14.